# Umutsama

*Ikinyamakuru c'abavumbi N° 19 Munyonyo 2009*

***Urunani CAPESA ruherutse kwishingira igiciro c'ubuki***

Ariko rero harabaye impari ndende kubijanye no gushinga igiciro ubuki bwogurishwako na nyene kwimbura kuko hari abavumbi batari bake bavuga ko ikiro c'ubuki kitotangwa ku mafaranga y'amarundi ari musi y' ibihumbi bine. Abagize urwego nshingwabikorwa rw'Urunani CAPESA barageragejе kwumvisha abavumbi bari aho ko bokwisunga ibiciro ubuki bugurishwako mu zindi ntara nka CIBITOKE aho mu kinyamakuru Umutsama n° 10 havugwa ko igiciro c' ubuki cashinzwe biciye mu mwumvikano ari amafaranga ibihumbi bibiri n' amajana umunani ku kiro.

Iyo mpanuro yaragize ico imara kuko inama ya bose yatevye ishinga ko ikiro c'ubuki bwimbuwe n'amashirahamwe y'abavumbi buzoshorerwa urunani ku giciro c'amafranga y'amarundi ibihumbi bibiri n'amajana atanu ku kiro c'ubuki butayunguruye n'ibihumbi bitatu ku kiro c'ubuki buyunguruye.

Umukuru w'urunani CAPESA yarashimiye abavumbi kw'ishaka n'umwumvikano berekanye mu kuronderera ikibazo nkoramutima inyishu zizotuma umwuga n'amashirahamwe vyabo bitera imbere yongera abasaba ko bokwama bitwararika gushira mu ngiro ingingo zafashwe n'inama ya bose y'urunani rwabo CAPESA.

***Gabriel BITARIHO***

## BIMWE BIMWE MU BIKORESHO UMUVUMBI AKENERA



***Umuvumbi arakenera imizinga, icuma kiyungurura ubuki, inkofero n'isarubeti yambara mu guhakura***

***Ikinyamakuru co gutumatumanako amakuru no guteza imbere umuga w'abavumbi,- SODES frères Bene-Yozefu asbl Giheta BP283 Gitega***

# UMWETE UVA HASI

*Umushingantahe MPAHIJE Matiyasi, arongoye urunani rw'amashirahamwe y'abavumbi mu Ntara ya Gitega yaragendeye umuvumbi yatoranye uwo mwuga akiri muto n'aho atashoboye kuronka abawumwigisha. Uyo muvumbi aturuka ku mutumba wa Mahonda Zone Kavumu Komine Ryansoro, intara ya Gitega.*

***None uwo muvumbi ni nde ?***

Burya koko niho bavuze ko «umwete uva hasi» kandi ngo «ibuye riba rito ntiriba ritoto. Uwo muvumbi n'umwana yitwa NISHIMWE n'umwana afise imyaka 11 wo kumutumba Mahonda, zone Kavumu, Komine Ryansoro mu ntara ya Gitega. Asigaranye umuvyeyi umwe akaba kandi arumunyeshure yiga mu mwaka wa 5 mw'ishure ry'intango ryo mu Ntita.

***Muti mbega yoba ashobora gufatanya umwuga w' ubuvumbi n'umwuga wo kwiga ?***

Inkuru ubariwe isumbwa n'iyo wiboneye. Kandi ubibonye uwo mwana arakunda umwuga w'ubworozi bw'inzuki kandi yarategereye ko « imiti ikora ikoranye » . Umupfasoni yitwa NIBOGORA Viriginiya asanzwe ari umubanyi wiwe kandi akaba n'umuremeshakiyago mu vyerekeye iterambere kuri uwo mutumba wa Mahonda niwe yanteye akamo ati mbega uzi n'amakuru ? Ati jewe narumvise ko wewe usanzwe uri umuvumbi kandi ukaba uri na wewe ubaserukira mu rwego rw'Intara, hariho umwana w'umubanyi w'aha ku mutumba iwacu wa Mahonda ati kandi n'ukuri uwo mwana apfuye umukeno kandi twamuzigamwo kazoza keza kubera ko uravye ingene yitwararika umwuga w'ubuvumbi ukaraba n'ingene abifadikanya n'ibanga ry'ukwiga usanga ari agatangaza. Hamwe yoronka umuntu amukwirikirana uwo mwana yogira kazoza keza mu buzima bwiwe kandi n'ababanyi nabo nyene boheza bakaharonkera akunguko kuko numvise ko ubuki ari ngira kamaro.

Uwo mupfasoni amaze kunyiganira iyo nkuru sinagarukirije ngaho, naciye nterera mu nzira ngeda kuraba uwo muvumbi turaganira, ndamubaza ingene yabitanguye kandi ndamubaza yuko imizinga nabonye ari rwiwe, ati iyo mizinga nije nayijishe atanumwe amfashije. Ati ariko ingorane mfise nuko iyo mizinga yose ari iy'ikirundi ati hamwe noronka uwumfata mu mugongo akamfashisha imizinga ya kijambere ndibaza ko notera imbere mu mwuga w'ubuvumbi.

***Muti uwo NISHIMWE arafise akanya ko gukurikirana uwo mwuga kandi asanzwe ari umunyeshure ?***

Baca umugani mu kirundi ngo :*« ushaka umuce acika ijoro »* kandi ngo: *« uwushaka umubira akabira akuya »*, vyongeye ngo: *« uwuja gutunga inka arara nkazo. »* Uwo mwana rero ariwe muvumbi ntacererwa kw'ishure kandi atibagiye no gukurikirana imizinga yiwe ari naco gituma aho nshikiye mu nkingu z'umutumba KINZERO no mu nkingu za Mugererwa nahasanze imizinga yiwe 20 nsanga irashimishije kuko yose irimwo inzuki.

Burya bwabundi ngo ubwenge burarahurwa : mwenesewâbo yitwa YONASI yamufasheko akarorero keza none nawe ng'uyo yamukurikiye mu mwuga wo kwegeka.

None nawe muvumbi mukurambere igisha umwana wawe umwuga w'ubuvumbi kuko ntuzogutera ingata muteterwe.

Rwaruka usoma kino kinyamakuru UMUTSAMA fata akarorero kuri NISHIMWE wo ku mutumba Mahonda.

Muntu woba ugomba gufata mu mugongo umwuga w'ubuvumbi ntiwibagire kazoza ka NISHIMWE kuko bavuga mu kirundi bati: *« umwete uva hasi. »*

***Matiyasi MPAHIJE***

# ISHIRAHAMWE NI UMURIMA W'ISANGI

*Abarundi bamaze kumenya akamaro k' umwuga w'ubuvumbi bakawijukira ari benshi, baciye bihutira gushinga amashirahamwe y' abavumbi , ayo mashirahamwe akaba abandanya kugwira. Ariko rero, ico abavumbi dukwiriye kumenya, ni uko ishirahamwe rikomera rikomejwe n' abanywanyi baryo bose.*

***Abarundi bati n' Imana ifasha uwifashije***

Umurwi nshingwabikorwa w'amashirahamwe y'Abavumbi yo mu Ntara ya Ngozi umaze imisi ugendera amashirahamwe kugira ngo wirabire ingene yifashe n' ingene akora.
Icibonekeje ni uko amashirahamwe y'abavumbi akora neza yifashe neza. Hariho rero n' amashirahamwe imikorere yayo irimwo amahinyu ayo mashirahamwe akarangwa n' imyidogo y' abanywanyi bavuga ko ataco abamariye.
Amatohoza yerekanye ko amashirahamwe yifashe neza yashinzwe n' abavumbi bafise ishaka ryo gushira hamwe imitahe n' inguvu vyabo kugira ngo biteze imbere. Iryo shaka ribonekera canecane mw'iyubahirizwa ry'amasezerano ngenderwako y' ayo mashirahamwe be no mw' irangurwa ry' ibikorwa nkenerwa abanywanyi bategerezwa gukorera hamwe. Kukaba nkako, amasezerano ngenderwako amaze kuvuga imigambi nkoramutima y' ishirahamwe, arategekanya inzego zijejwe kurirongora umunywanyi wese yiyumvamwo, agatomora ingene izo nzego zikora n' ingene zibisikanya ingene amatungo akoreshwa n'ingene ishirahamwe risamburwa mu gihe bikenewe.
Ishirwa mu ngiro ry' ayo masezerano rigenda neza iyo abanywanyi bitaho kuja inama n'ingingo biciye mu manama abahuza kuko ayo avugirwamwo ibijanye n'ubuzima bw' ishirahamwe, ingorane n' umuti zotorerwa, na kare ngo: *« ibigiye inama bigira Imana»*. Amashirahamwe afise ingorane usanga yashinzwe kenshi n' abavumbi bumvise ngo mu bihe tugezemwo, imfashanyo zijanye n' iterambere rya benegihugu zibashikira ziciye mu mashirahamwe bagaca barondera kuronka ibintu batabiriye akuya. Bigenze gurtyo, usanga abanywanyi b'ayo mashirahamwe ata kindi bakora atarikweza amaso bategereje ko imfashanyo ziboneka bace bazigabangana. Abo bantu bomenya ko ubu bihenda kuko ni vyaba vyarigeze gushika: *«ivyari imagera vyarageruye»*. Nko mu mugambi wa PRASAB ukorera mu Ntara ya Ngozi, imfashanyo itangwa iza kwunganira ivyo abanywanyi b'amashirahamwe bamaze kurangura.Ni naco gituma hari abakozi bajejwe kugendura kugira ngo barabe ko ishirahamwe risaba imfashanyo ritariho kw' izina gusa.

***No kutamenya biratuma amashirahamwe agira ingorane***

Nkuko bivugwa, abarundi bakuze benshi ntibazi gusoma no kwandika, ivyo bikaba vyatewe ahanini n'amagume y' intambara igihugu cacu gihitiyemwo. Ivyo biratuma haba abantu bikika mu kiza bakarondera abenegihugu bakoresha mugushinga amashirahamwe bafise umugambi wo kuyakoresha mu nyungu zabo bwite. Ivyo birashika no mu mwuga w' abavumbi kuko uwo mwuga abantu bitwa ko bize aha mu Burundi batarawijukira cane.
Mwene ayo mashirahamwe ni gake atera imbere kuko banyene kuyashinga ari bo ba nyene kuyarongora bimba bahisha ivu abandi banywanyi bafise ingorane zo gukurikira urutonde rw' ibiharuro vyerekana ingene ishirahamwe ririko rirakora. Ni naco gituma, ari Reta, ari abagira neza bishinga gufasha mw' iterambere rya benegihugu biciye mu mashirahamwe boha ikibanza gikwiye mu migambi yabo ukwigisha gusoma no kwandika abantu bakuze bariko barakorana babikeneye. Ivyo vyotuma ishirahamwe ritizizirwa n' umuntu umwe canke n'akagwi k' abantu bazi ko ata bandi

banywanyi bashoboye kubasubirira mu mabanga yabo. Kukaba nkako nk'uko amasezerano ngenderwako abitegekanya, birakenewe ko indongozi n'abagize urwego nshingwabikorwa b'amashirahamwe hagera igihe bakabisikanya ku neza ya bose.

Mugusozera urunani rw' Amashirahamwe y'abavumbi yo mu Ntara ya Ngozi rurakebuye abavumbi ngo bamenye ko ishirahamwe riba ngirakamaro iyo bene ryo barigize umurimo w' isangi. Ba Barundi bati: *« nidusangire ikivi dusangire n' ikigega ».*

***Gaburiyeri BITARIHO***

# INTEGURO Y'UMUSI MUKURU W'ABAVUMBI N'UMUVUNYI UMWERANDA AMBROZI

*Uko umwaka utashe, igenekerezo rya 6 Kigarama, abavumbi basanzwe baratoranye umwuga wo kwegeka inzuki, abagabo n'abakenyezi, bafise izina bisangije «abavumbi» bama bakoranira hamwe kabambara bakaberwa,bagaterereza incuti n'abagenzi kugira ngo bahwanire ku rubanza rudasanzwe rwo kwiginana. Mbere benshi bagategura n'inturire yo guhimbaza umusi mukuru w'umuvunyi wabo Ambrozi. Ari nawe Imana yateye iteka ridasanzwe ryo kumwereka ingene inzuki zibaho n'ingene zishobora gufasha ikiremwa muntu mu buzima bwaco bwa misi yose.*

Kuwa gatanu igenekerezo rya 25 Munyonyo 2009 abavumbi batowe ngo baserukire amakomine yose yo mu ntara ya Karusi bari baramutse bakoranira ku murwa mukuru w'Intara kugira ngo bategurirere hamwe uyo musi mukuru nkuko basanzwe bawuhimbaza buri mwaka. Mu makomine 7, amakomine 4 (Buhiga yaserukiwe n'abavumbi 4, Gitaramuka abavumbi 6, Shombo yaserukiwe n'abavumbi 3, Mutumba nayo 3) niyo yashoboye guserukirwa. Uko umwaka utashe twahora tuwuhimbaza italiki 6 z'ukwezi 12 ariko uyu mwaka twasanze bidashoboka kubera ko igihe co gutegura cobabana gito; ariko tukabona ko bidakwiye gusivya urubanza rwo kuwuhimbaza. Baciye bashinga isango ryo ku wa gatandatu igenekerezo rya 12 Kigarama 2009.

Mbere baca bavaho bishingiye n'intererano (kotizasiyo) umuvumbi wese azoza azanye (2 500) kandi ko ayo mafranga yoba yashikirijwe komite ijejwe imisi mikuru mu ntara igenekerezo rya 10 Kigarama 2009. Mu nteguro ya kera bari bategekanije ko hoba inzoga y'inturire ariko ntizoshobora kuboneka kubera ko itegurwa amezi abiri yose imbere yuko inyobwa.

Ntibari gutaha batayaze ibijanye n'ubuzima bwabo bwa misi yose.Uwaserukiye DPAE Enjeniyeri Nahimana Lehonari yarabaciriye ku mayange aho imigambiyerekeye amahinguriro abiri azokwubakwa muri iyo ntara igeze.

Yababwiye ko muri Karusi, ikibanza carabonetse ariko abaserukira PARSE basaba ko twobanza kugira inama yo gutegura ingene amafranga batwemereye azokoreshwa; yarongeye arabamenyesha ko PARSE yari yaremereye amashirahamwe ibitiba vy'amasandugu 250 biri kumwe n'ikoresho vyo guhakura 20 birimwo amasarupete, amabotine, ifumba, na maske. Ivyo vyose bikaba vyaramaze gushika kuri DPAE, ariko abaserukiye amakomine basavye ko komite y'urunani ifadikanije na DPAE bobanza kugendera amashirahamwe amaze kuronka amategeko ayagenga,kandi amaze gushika ku ntambwe iboneka,akaba ari yo yoheza akarona ivy bitiba vya kijambere.

Babivuze gutyo kuko mu myaka yahera, hariho amashirahamwe y'abagiraneza yatanga imfashanyo ikaronka amashirahamwe abatiteguye, abanywanyi bagaca bayikoresha ico itagenewe.

Iyo muri Nyabikere, izokwubakwa habanje kwubakwa iya mbere. Yabasavye kandi ko batohereza kworora inzuki gusa, mugabo ko botegekanya n'iyindi migambi ijanye n'uburimyi cane cane ibiterwa mbumbarugo. Abaserukiye abandi baravyemeye bagasaba ko DPAE yobafata mu mugongo mu kubaronsa imbuto zirobanuye kuko zirakunda gukena.

Mu gusozera, umukuru w'urunani rw'abavumbi yasozereye ashimira abo bose bari bitavye iyo nama abasaba ko bomenyesha abavumbi baserukiye kuzosidukana n'iyonka ku musi mukuru wabo nkuko babigize mu mwaka uheze bagahimbariza hamwe uwo muvunyi wabo ariwe Ambrozi Mweranda.

***Terensiyo MUHIGIRA***

# UMUGAMBI WO GUSHIGIKIRA ABARIMYI MW'ITERAMBERE

*Ku magenekerezo ya 2 na 3 Munyonyo niho ikigo kijejwe kwigisha abanyagihugu iterambere kikaba cegamiye Abafrera Bene Yozefu (CFR GIHETA), muri wa mugambi waco wo gushigikira abarimyi batobato, cashikiriza abo barimyi imbuto z'isoya, imivyaro y'inanasi, imivyaro y'amabungo n'umwavu w'ikirundi abo barimyi b'imboneza 25 batowe muri zone Giheta hamwe no mw'ishirahamwe CADEC ryo muri Komine Nyabihanga*

Mubisanzwe ico kigo gisanzwe kirangura imigambi myinshi y'iterambere muri yo harimwo umugambi ukomeye cane wo guhingura ivyamwa navyo akaba ari : inyota, inanasi, amapera, agapiripiri, inkere, amatunda, isoya, n'ibindi ...
Inyota bazikuramwo umutobe, inanasi bakazikuramwo umutobe n'umuvinyu, amapera n'nkere babikuramwo confitire, isoya bazikuramwo ifu y'umusururu ikwije ingaburo umubiri ukeneye, agapiripiri nako bagakuramwo isosi, n'ibindi ...
Uwo mugambi wo guhingura ivyamwa ukaba ukorwa n'urwaruka rungana 20 rwigishijwe n'ishirahamwe GTZ/APRS bakaba bahurikiye mw'ishirahamwe ryitwa TWIYUNGE naryo rikaba rikorera aho bita KUKARUKONA.

***Muti mbega ico kigo CFR n'abo barimyi bashaka gushika kuki ?***
Ikigo C F R mur'ivyo bintu gisanzwe gihingura kirakenera ivyamwa gikoresha, ivyo vyamwa navyo kikaba kibikura kure cane (Bugarama, Komine Matongo, Isoko ya Gitega, n'ahandi) ivyo bigaca bituma abanywanyi bata umwanya munini baja kubirondera.
Intumbero nyamukuru y'ico kigo nuko ishirahamwe TWIYUNGE ryoronka ivyo bikoresho abanywanyi baryo batarinze kurenga imirambi n'iyindi, bakabironka mu mwanya muto kandi kugiciro kitaza kirahindagurika.
Ku barimyi naho akunguko ni kanini cane. Bazohatorera akoyokwe kuko ivyo biterwa vyeze, umwimbu bazoca bawushorera mw'ishirahamwe Twiyunge rice ribahaudufaranga dushobora kubafasha mubuzima bwabo bwa misiyose.
Akandi karusho ku murimyi n'uko atewe n'ingorane (indwara, kubura amahera y'ishure ry'abana, kubura imfungurwa…) azoshobora kwitura ikgo CFR, kiravye umurima wiwe ingene umeze,

kigashobora kumuronsa ingurane y'udufaranga dushobora kumufasha hanyuma agaca ayariha ashoye umwimbu wiwe.
Akandi karusho ku murimyi ari nako gakomeye, n'uko azoronka inyigisho nyishi zijanye n'ubuhinga bwo kurima ivyo biterwa, ibijanye no kurwanya inkukura, guhingura umwavu w'ikirundi no gukingira ibidukikije.

***Umwuga w'ubuvumbi wo uzohakura iki ?***
Mu bisanzwe uburimyi n'ubworozi ni magiriranire. Abafrera bari basanzwe bashigikiye umwuga w'abavumbi. Nico gituma tubona ko n'uyo mugambi werekeye abarimyi uzogirira akamaro ubuvumbi na cane cane ko hazoca haboneka amashurwe menshi inzuki zidahamwo. Bisanzwe bizwi ko amabungo(inyota) zifise amashurwe inzuki zikunda kudahamwo.

***Muti mur'uwo mugambi abo barimyi n'ico kigo CFR bazokorana gute ?***
Mu manama yose yagiye araba haba ku mitumba y'abo barimyi, canke ku biro vya CFR, bumvikanye yuko izo mbuto n'ivyo vyankenerwa ko ari ingurane , iyo ngurane bakazoyiriha buhorobuhoro bashoye umwimbu. Kur'ivyo kugira ntihagire uwidohora kuvyo basezeranye, abarimyi barateye ibikumu ku masezzerano y'ivyo baronse, agaciro kavyo hamwe n'ingene bazoriha. Tubibutse ko imbere yo kuronka izo mbuto n'amase, abarimyi babanje kuronka inyigisho zijanye n'ico umwumwe wese azorima. Inyuma y'aho bakaba baciye batera imirima y'akarorero y'inanasi, amabungo(inyota) n'isoya.
Muri rusangi uwo mugambi abo barimyi barawushima cane bakabona neza ko uje kubateza imbere mu butunzi, mu bumenyi no mu migenderanire hagati yabo n'ikigo CFR.

***Bernarudo NDUWARUGIRA***

# UBUVUMBI BWIFASHE GUTE MU NTARA YA GITEGA?

*Naho ingorane zimwe zimwe ziguma zaduka, ubuvumbi mu Ntara ya gitega butera buja imbere. Mushingantahe Mpahije Mathias niwe agira ngo abashikirize ingene amashirahamwe amwe amwe yifashe mu Ntara ya Gitega.*

***Amashirahamwe yo mu ntara ya Gitera yifashe uku gukurikira***
*Muri komine Gishubi:* havugwa abavumbi 430 n'ukuvuga abagabo 259 n'abagore I7I. Imizinga 43I y'ikirundi n'imizinga 32 ya kijambere.
*Muri komine BURAZA:* hariho abavumbi 519 abari mu mashirahamwe ni 421 abatari mu mashirahamwe ni 98. Imizinga iri mu mashirahamwe 1216. iyitari mu mashirahamwe ni 1926. Hakaba harimwo iya kijambere 25. ubuki bwimbuwe bwashowe muri 2008 ni ibiro 391,5
*Muri komine Nyarusange:* hari abavumbi 58 bafise imizinga 77.
*Muri komine Makebuko:* bafise ishirahamwe rihuza abavumbi ba komine Makebuko ryitwa ASSAMA ryavutse mu mwaka w'ibihumbi bibiri n'indwi (2007) rikaba rifise abanywanyi 166 n'amafranga angana ibihumbi ijana na mirongo itatu na bitanu (135 000 FBU).

***Mbega abo bavumbi barafise ingorane?***

Mpfabarushe Maxime w'i Gishubi abogoza avuga ati: birababaje kubona tuvyuka kungezura imizinga yacu iri i Nyabiraba tugasanga abacacebe (inkozizikibi) bateye mu mizinga yacu barapfundagura bongera bazibagura ibiti mu bimamara none ubu dusigaye tumeze nk'umupfumu apfanywe n'umuntu (ukwifumbereza). I Nyarusange Kayibigi Yuvinari na Cishahayo Petroniya, ntako batagize mukugirisha inama abavumbi bo muri Komine Nyarusange ariko ingorane bagize ni uko ikirere cagenze nabi umwimbu ntuboneke. Komine Makebuko mw'ishirahamwe ryabo ASSAMA bafise ingorane z'udufaranga twabo bashize mu bubiko bw'ibanki IDC ryaheze nk'ifu y'imijira rica ribacikanira udufaranga twabo.

Mu gusozera, nashaka kubamenyesha ko ayo mashirahamwe y'intara ya Gitega naho afise ingorane agerageza kwiyungunganya kugira ngo arabe ko yokwisununura.

***Matiyasi MPAHIJE***

---

# INYIGISHO ZEREKEYE UBUVUMBI

**Ivyimburwa vyo mu muzinga** *(ibikurikira)*

*(Agrodok 42)*

## Amategeko agenga agaciro k'ivyimburwa vyo mu muzinga

***Agaciro***

Agaciro k'ivyimburwa vyo mu muzinga tugahabwa n'uburyo vyabonetse kandi tukabihabwa n'umuvumbi we nyene. Cane cane birava no ku gihe vyahakuriweko hamwe no ku gitigiri c'inzuki ziri muri nya muzinga. Kanatsinda ibijanye n'ubuhinga bwo guhakura, kuyungurura, gushingura no gushishîra ivyimburwa vyo mu muzinga, ntaco bipfana n'ubuhinga bwo kugumana agaciro kavyo. Kenshi ubwo buhinga nyene nibwo butîtûra agaciro k'ibihakurwa. Cane cane usanga vyataye akanovêra n'agafuto.

Cane cane usanga vyataye akanovêra n'agafuto, n'umuti warimwo ugatîtûka kuko hariho bimwe bimwe bica vyononekara iyo bariko barahingûra ubuki, intsinda hamwe n'ingaburo y'inzuki, mugabo ishashara, urugangiriro hamwe n'imboyi vyovyo bica bigira agaciro kisununuye.

***Umuvumbi yocungêra agaciro k'ubuki gute ?***

Kenshi na kenshi usanga umuvumbi azi neza ko ubuki bwiwe bumeze neza kuko aramenya ivyo aburabirako. Ikindi niwe abuhakura, akabumiminambere akanabushira mu vyombo bwagenewe. Ubuhinga bwisunu-nuye bwo gutegûra ubuki burakenerwa cane cane ku bavumbi bakorera hamwe canke bafise imizinga myinshi.Turaja kubona rero bimwe bimwe muvyo abavumbi bokwisunga mu gucungêra ko ubuki n'ibindi vyimburwa vyo mu muzinga bigumana agaciro kavyo.

***Ivyerekana ko ubuki bufise agaciro keza***

Mu bihugu vy'I Buraya baratege-kanya ivyo kwisunga mu kumenya ko ivyimburwa vyo mu muzinga bimeze neza kandi bifise agaciro . Nko k'ubuki barâba akamoto, akanovêra, ibara, ukuntu bupfutse, uko amazi arimwo angana, uburemere bwabwo uravye ibipimo vy'iritiro imwe, imisakavu irimwo, ubwome, n'ibindi vyinshi.

No muri rya shirahamwe mpuzamakungu rijejwe uburimyi no kugwiza ibifungurwa FAO ryarashizeho amategeko yavyo ku vyererekeye agaciro k'ubuki. Ntawokwibagira ko na ryashira-hamwe mpuzamakungu OMS rijejwe ivyerekeye amagara y'abantu. Twomenya ko ayo mategeko ari ayo mu mwaka w'2003 akaba yasubiriye ayahahora. Nkuko tumaze kuvyumva amategeko mpuzamakungu menshi yisunga iciyumviro cerekeye urucuruzwa rushimisha bose. Ariko ntasa muri vyose kuko iri ry'abanyaburaya risaba ko ubuki bwose bujayo bwoba buhakurwa mu mizinga irimwo inzuki za bwa bwoko «appis mellifera» gusa.

Barasaba rero ko ku makopo canke ubucupa bushishiriyemwo ivyimburwa vyo mu mizinga hoba handitseko: izina *«ubuki»,* amagrama bupima, amazina n'indangakaranga umuvumbi canke uwubudandaza akorera-mwo, umutigiri ugezweko, hamwe n'imisi bushobora kumara butarononekara. Bakaba basa-nzwe bazi ko ico kiringo kitarenga amezi 18 k'ubuki bwiza cane. Baripfuza kandi ko handikwako ubwoko bw'igiti c'ayo mashurwe inzuki zadashemwo ubwo buki.

Kugira ngo bugende kugurishwa mu bihugu vy'i Buraya, habanza kuboneka impusa zisabwa i Buruseri mu Bubirigi, kandi uwubujana yo akaba aturuka mu gihugu camaze kwandikwa mu rutonde rw'ibishobora kurungika ivyimburwa vyavyo mu bihugu vya Buraya.

Urugangiriro, ishashara, canke imboyi vyovyo nta mategeko ajanye n'agaciro n'uburyo bwo kubicuruza arajaho. Ariko harakenerwa impapuro zemeza iyo bije biva mu gihe bigiye kugurishwa ma mahanga. No mu bindi bihugu nka Kenya urasangayo amategeko abuza ivyimburwa vyo mu muzinga kwinjira kubera ko vyanka ko vyohava bitera indwara zandukira.

***Ubuki burabamwo amazi atuma bugumana agapfuto***

Kenshi na kenshi ubukanye bw'ubuki bungana ibipimo 14 gushika nko kw'19 kw'ijana. Hari n'aho biduga rwose bigacika ibice 30 kw'ijana. Ivyo rero biratuma ubuki bushobora kubikika igihe kirekire. Hariho icuma bakoresha mu gupima ubwo bukanye mugabo ababizi barashobora kubumenya bakoresheje gupima uburemere bw'iritiro y'ubuki. Akarorero ni nkiyo ibipimo vy'ubushuhe bingana n'amadogere 20 (20°C) kw'iritiro imwe y'ubuki iba ipima ikiro kimwe n'amagrama amajana ane (1,400).

***Isukari iri mubuki***

Iyo ubuki bufise ibice 18 kw'ijana vy'ubukanye, haba harimwo ibice 82 kw'ijana vy'isukari. Ivyo bice birahinduka bivuye ku mashurwe ubuki bwavuyemwo. Ikindi naco iyo isukari ari nyinshi, ubuki buca bufatana bukamera nk'ibuye. Hariho abavumbi bagira nabi bakavanga bakongera mu buki, isukari yo mw'isoko. Aho baba bagomba kwonona mu kurondera kugwiza amafranga.

***Imbatsi n'imisakavu***

Mu buki harabamwo imbatsi n'imisakavu. Kenshi na kenshi izo mbatsi hamwe n'iyo misakavu biravamwo igihe ubuki butêtswe. Ibara, akamoto, n'akanovêra vy'ubuki bikahava.

Akanovêra n'akamoto kenshi birava ku mashurwe inzuki zakuyemwo ubwo buki. Birashobora no guhinduka bivuye kugihe ubuki buba bumaze mu bimamara bishaje.

**Agaciro k'ibindi vyimburwa vyo mu muzinga**

***Intsinda***

Intsinda zirashingurwa neza ku munsi ugira kabiri zihakuwe; bazishira ahantu hapfutse kandi hatari umuco mwinshi zigaheza zikuma zitonze. Niho zigumana uburyohe n'akanovêra kazo. Iyo izo ntsinda zumye neza ntizitêrwa
n'imbeho yozituma zivunda. Barazitoramwo imicafu yose nk'ibivunji vy'ibimamara canke ishashara, utuvunji tw'ibiti canke amababi, canke ibisigarîra vy'imiti bapompa ibiterwa canke mbere ifira.
Ingaburo y'inzuki nayo nyene ishingurwa neza mu misi ikurikira ihakura imaze kwanikirwa neza. Imbere yo kuyisya, babanza kuyishira muri frigo igakonja rwose.
Urubu rw'umwiru rworwo ntirunashobora kumara imisi rwanikiye. Nico gituma ruja muri frigo rugakonjeshwa. Abahinga barapima uburyohe n'ivyunyunyu birimwo bakavyandika ku mpapuro zabigenewe.
Ibinyagu biribwa bigihakurwa. Mugabo birashobora kumara umusi wose. Nico gituma baca babiyiga bakavyanikira. Mugabo navyo nyene birashobora kuja muri frigo bigakonjeshwa, canke bakabivanga n'ubuki bukeya.
Ishashara ryo rirashongeshwa hakoreshejwe ubushuhe bukeya. Ahandi ho ryoca rizigira rigasa n'irangi. Kenshi na kenshi ubuhinga abavumbi bakoresha mu kurishongêsha usanga ari bwiza. Igihambaye nuko ritojamwo udutotsi nk'ibivunji vy'ibimamara bishâje, inzuki zapfuye, amakara, ivyatsi n'ibindi. Iyo rivanze n'ibindi bintu rica rita agaciro.

***Urugangiriro***

Kenshi na kenshi urugangiriro rwavuye ku mbaho zigize igitiba usânga rurimwo utuvunji tw'ishashara canke utw'izo mbaho nyene. Ni vyiza kurusukûra rukavamwo udutotsi twose. Kenshi na kenshi barakoresha umuti witwa arukore (alcool) yo kurwoza neza.

***Imboyi z'inzuki :***

Nazo nyene ziranikirwa kutubâho twa prastike tubonerana. Baraheza bakazohômôra zimaze kwumirako. Iyo zumye neza zigira ibara ry'urubu rw'amata, canke zikaba nk'agafu karimwo ubwome. Hariho icunyunyu kironderwa mu mboyi.

***Ubuki***

Nkuko tumaze kubivuga, mu buki harimwo ibice bishika ku 80 kw'ijana vy'isukari. Ni imfungurwa ibereye abana, abagwaye, abakora ibikorwa bisaba inguvu nyinshi. Burakoreshwa mu mfungurwa no mu nzoga. Burakoreshwa mu kuvura ibikomere no mu mihogo. Ni imfungurwa iryoshe bukaba n'umuti. Buragurishwa ku mahera y'agaciro. Mu mwaka w'2002, urudandazwa rw'ubuki mw'isi yose rwarashikanye ibiro 250 000 000 n'ukuvuga amatoni 250 000. Muri ivyo ibice 20 kw'ijana hafi amatoni 50 000 vyavuye mu bihugu biherereye mu karere karimwo ubushuhe.
Amatoni 70 000 yagurishijwe niyo yagurishijwe mu bihugu bitarimwo abegetsi bakwiye. Igiciro c'ubuki kirahinda-gurika rwose. Kw'isoko mpuzamakungu kiri hagati ya dolari 1,00 na dolari 2,00. Mugabo hari n'aho usanga asumaba ngaho rwose mu bihugu bibwimbura. Nko mu Burundi ubu mu ntango z'umwaka w'2009 ikilo kiri ku madolari 2,50.

***Ibinyagu***

Mu bihugu bimwe bimwe, abantu bararya abana b'inzuki kuva kikiri urunyo. Abandi nabo nka hano iwacu muri Afrika, usanga abantu barya ibinyagu (inzuki zitarahu-mûra) bakazikura mu bimamara bakoresheje utwuma dusongoye. Mu Burundi hoho abarya ibinyagu babanza gutêka ibimamara birimwo ibinyagu bakavyanikira hanyuma bakabona kubirya. Mu masoko hariya mu gihugu citwa Indoneziya hoho urashobora kuja gusuma ibimamara birimwo ibinyagu.

Ibinyagu biri mu bimamara vyugaye vyo mu mizinga irimwo inzuki zo muri bwa bwoko bita serena usanga biryoshe rwose cane cane iyo bashoboye kubirunga. Mu bihugu vy'iburaya yo mu buseruko bakunda kurya ibinyagu bigizwe na mpingwe gusa kuko birimwo ingaburo itanga inguvu nyinshi rwose. Ivyo binyagu biriko umuti na cane cane ku ndwara ziterwa n'ubusaza no kubakirûke.

## Inzuki

***Incoreke***

Mu bwoko bw'inzuki dusanzwe tuzi harimwo izo bita incoreke. Irumpu rimwe rirashobora kujamwo incoreke ibihumbi 50 000. Witegereje uruyuki rw'incoreke ubw'imbere, usanga rufise umutwe usongoye. Iyo rwiyegeranije naho amababa yarwo arapfuka inda gushika kubw'inyuma. Uruyuki rw'incoreke rurafise ukuntu ruremwe kugira ngo rushobore kudaha intsinda. Ku maguru y'imbere hariko utwoya dufasha mu kwihanagura izo ntsinda. Rurafise ubwoya bwometse nk'akanzuzo ko kwanzurira intsinda mu ntemere ziri ku maguru y'inyuma aharaba mu matako. Utwo dutemere tugizwe n'ubwoya burebure. Nitwo tujamwo ubuki uruyuki rutahukana.

Mu muzinga, inzuki zishingura mu maso y'ibimamara, aho umwiru atarata amagi. Zirafise udukenke dushobora kudaha mw'ishurwe. Amazi y'urusosagi inzuki zidaha mu mashurwe ziyatwara mu gasaho kegereye inda ijamwo ivyo zifungura hafi yo mu muhogo. Iyo rushitse mu gitiba, izindi nzuki nizo zirwakira zigashira urwo rusosagi mu maso y'ikimamara. Nirwo zizoheza zigahinguramwo ubuki. Zirarukuramwo amazi, zikaru-vanga n'ibindi bintu bizivamwo bifasha isukari kuyongobera n'ingoga mu mubiri w'umuntu.

Iyo ubuki bumaze kwegerana, ziraheza zikazibira amaso y'ikimamara zikoresheje isha-shara. Niho baca bavuga ko zimaze gupfunga. Iyo zitarapfu-ndikira bavuga ko ubuki bukiri urumijagi.

Incoreke (inzuki-nkozi) zirafise umwampi ugororotse uriko uducumu tubiri. Bakita uruboyi. Ubumara zikoresha buva mu gapfuko bubikwamwo kari imbere mu nda. Iyo uruyuki ruryanye, uwo mwampi niwo ukwega bwa bumara bwinjira mu mubiri. Iyo rwinjiye ahari amaraso ashushe, uruboyi ruca rugumayo kubera bwa bwoya burukikije. Nico gituma uruyuki ruca rutabuka, rukahava rupfa.

Ni vyiza kwica uruyuki ruhejeje kukurya kuko izindi zirabimenya kandi zica ziza kururwanira. Mukwikura uruboyi naho, ni vyiza gukoresha urwara rudacafuye canke akabugita. Barakwega ubugi ku mubiri bukaba aribwo buhitana rwa ruboyi.

Iyo ukoresheje urukumu n'urundi rutoke mu kwihandura, izo ntoke nyene nizo zica zikanyira ubumara mu mubiri, hagaca havyimba. Ikindi naco akamoto k'ubwo bumara nyene nibwo izindi nzuki ziza zikurikira

Imfungurwa zitangwa zirimwo urusosagi ruvanze n'amata yo mu gahanga k'incoreke. Izo mfungu-rwa zirimwo ndemamubiri nyinshi kandi zihingurwa iyo hariho intsinda zikwiye.

Umwiru arakenera izo ndemamubiri kugira haboneke amagi, mpingwe nazo ni ukungira ngo zikomeze intanga, nayo ibinyagu ni ukugira ngo bikure neza. Amagrama y'ikinyagu ategerezwa kwongerekana incuro 1 500 mu misi itandatu gusa.

Igihe uruyuki rumaze indwi zishika zitatu ruvutse, ruca rutangura kwimenyereza kuguruka. Incoreke ija kudaha itegerezwa kumenya gutandukanya ibintu vyose (ibiti, ishamba, amazu, n'ibindi) kandi rukamenya inzira rucamwo mu gutaha. Uruyuki rurashobora kudaha gushika ku birometero 3.

Ivyo bisaba ko umuvumbi atoja arimura umuzinga uko ashatse n'igihe ashakiye. Iyo umuzinga wimuriwe ku masentimetero arenga mirongo itanu inzuki zirazimira. Zopfuma zija aharenga ibirometero birenga 6.

Si vyiza kwimura igitiba igihe cibangurirwa ry'umwiru. Umuvumbi yomenya ko inzuki zigenda zisunga umuzinga zigiye gutaha ; akongera akamenya ko inzuki zitari kumwe n'umwiru zica zija kumurondera iyo zaje ziva.

Inzuki zirazi kwitorera ahari ibifungurwa vyiza kandi noneho zirabwirana. Zirafise intambo yo kubwirana ahari amashurwe yimbuka. Inzuki zirakenera n'amazi yo gufasha umuzinga muvy'ubu-shuhe. Umuntu yozegereza amazi akayashira ku rujo canke udukopo dutoduko.